**Ibibazo bikunze kubazwa—Urupapuro rwa 19**

**Nimba ndi mu bemerwa na WIC, uturusho noturonka mu gihe kingana iki?**

- Igihe wibungenze
- Gushika umaze umwaka wibarutse mu gihe uba wonsa umwana wawe
- Gushika umaze amezi atandatu wibarutse mu gihe utonsa
- Gushika ku mwana agira imyaka itanu

**Mbe hamwe nokwimuka naho?**
Nimba ufise umugambi wo kwimukira ahandi muri Maine, raba ibiro vyacu vyose biri muri iyo Leta ku rubuga rwacu ari rwo **www.wicforme.com**. Nimba naho ushaka kwimukira hanze ya Maine, urasabwe kubimenyesha abakozi ba WIC.

**Proxy ni iki?**
Proxy ni umuntu wizigira.Uha uno muntu uruhusha rwo gukoresha isheki yawe ya WIC mu kaguriro canke kwitaba mu gishingo cawe amanama ya WIC. Igihe hari umuntu ugize proxy wawe, ategerezwa:

- Gushira umukono Inyuma y'uno mutekezo wa WIC
- Kuwuzana mu kaguriro igihe ariko arakoresha sheke za WIC
- Kuba atahura ivyo gusumwa hamwe n'ingene sheke za WIC zikoreshwa
- Kwitwaza uno mutekezo wa WIC mu mubonano hamwe n'urupapuro ruriko umwidodoro

**Kubera iki abakozi ba WIC badashobora kubwira abandi baryango canke abagenzi banje ibijanye n'umwana wanje canke jewe?**
WIC irakingira uburenganzira bwawe bwo kutakwandagaza. WIC ntizigera itanga inkuru n'imwe utabitangiye uruhusha. Muri aya makuru harimwo amasango hamwe n'ay'amagara yawe. Nyamara, igihe umukozi wa WIC yibaza ko umwana abangamiwe, arahabwa uburenganzira bwo kubimenyesha umukozi wa DHHS aca akurikirana umuryango.

**Mbe vyogenda gute hamwe sheki zanje za WIC zozimira, zikibwa canke zikononekara?**
Ca ubimenyesha ibiro vyacu vya WIC. Sheke zawe za WIC zifate nk'amahera. Zibike ahantu zitobangamirwa.

**Mbe birakenewe ko ngura ikintu cose canditse kuri sheke yanje ya WIC?**
Oya. Si itegeko kugura ikintu cose kiri kuri sheke yawe ya WIC. Gura indya uzi ko uzokoresha.

**Mbe vyogenda gute hamwe noba nahejeje sheke zanje za WIC hama umwana wanje akaba ata mata y'ifu asigaranye?**
WIC irafise urugero rw'amata yama itanga buri kwezi. Uko umwana wawe atera akura, urashobora gukenera amata menshi asumba ayo uhabwa na WIC. Ibi biramutse bibaye, uzotegerezwa kugura ayandi mata gushika iyindi sheke ya WIC itanguye.

**Mbe ndashobora kuba mu ntonde za WIC zirenze rumwe ica rimwe?**
Oya.

**Kubera iki abakozi ba WIC badashobora kubwira abandi baryango canke abagenzi banje ibijanye n'umwana wanje canke jewe?**
WIC irakingira uburenganzira bwawe bwo kutakwandagaza. WIC ntizigera itanga inkuru n'imwe utabitangiye uruhusha. Muri aya makuru harimwo amasango hamwe n'ay'amagara yawe. Nyamara, igihe umukozi wa WIC yibaza ko umwana abangamiwe, arategerezwa kubimenyesha umukozi wa DHHS aca akurikirana umuryango.

**Mbe vyogenda gute hamwe sheki zanje za WIC zozimira, zikibwa canke zikononekara?**
Ca ubimenyesha ibiro vyacu vya WIC. Sheke zawe za WIC zifate nk'amahera. Zibike ahantu zitobangamirwa.

**Mbe birakenewe ko ngura ikintu cose canditse kuri sheke yanje ya WIC?**
Oya. Si itegeko kugura ikintu cose kiri kuri sheke yawe ya WIC. Ushobora kugura indya uzi ko uzokoresha.

**Mbe vyogenda gute hamwe noba nahejeje sheke zanje za WIC hama umwana wanje akaba ata mata y'ifu asigaranye?**
WIC irafise urugero rw'amata yama itanga buri kwezi. Uko umwana wawe atera akura, urashobora gukenera amata menshi asumba ayo uhabwa na WIC. Ibi biramutse bibaye, uzotegerezwa kugura ayandi mata gushika iyidi sheke ya WIC itanguye.